Conchiglia

Igikono c'Igifyera

MOVIMENTO D'AMORE SAN JUAN DIEGO

UMUHARI W'URUKUNDO W'UMWERANDA YOHANI DIEGO

MU MASO H'UKURI HA MARIYA MWERANDA CANE

UMUGABEKAZI W'I GWADERUPE

Yasohowe mu buryo bw'igitangaro ku mutamana w'Umweranda Yohani Diego,

wakozwe mu giti citwa agave,

itariki 9-12, umwaka w'i 1531 i Mexico

IROZARI Y'UKARISTIYA

Jewe... Yezu ... ubu ngirango ndakuyagire kw'izina ry'Ubutatu Bweranda cane.
Abana banje iyo bava bakagera, ayo matabemakulo mazima akwiragiye isi yose, mbasavye ko bokwama basenga bakoresheje aya majambo akurikira, azobe ariyo ababera irozari bazokwama bavuga bari muri ca gisabisho c'intahengeshanya imbere y'Isakramentu Ryeranda.

HATANGURA Ndemeye... 1
HAGAKURIKIRA Mwaramutse…3
HAGASOZERA Haninahazwe…1
Butatu Bw'urukundo... Butatu butigera butandukana... ndakuninahaza mu mutima wanje no mu buzima bwanje. (Gusubiramwo imbere y'icibukiro cose)

1. ICIBUKIRO CA I
Jewe... Tabernakulo nzima, ndaguhaye ikaze muri jewe nka kumwe Umuvyeyi nyoko wawe yahora akwakira, ndakuninahaza, ndagusenga.
- Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (l)
- Butatu bw'urukundo 1 ...

2. ICIBUKIRO CA II
Jewe... Tabernakulo nzima, ndakwakiranye urukundo rw'igishika n'akamwemwe, nkagusaba
n'ikigongwe ngisabira abagutuka bagutyoza n'amasakirego mw'Isakramentu ry'Ukaristiya.
- Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (l)
- Butatu bw'urukundo 1 ...

3. ICIBUKIRO CA III
Jewe... Tabernakulo nzima, ndakureruye ngo ndakugenduze isi yose, kugirango abantu bose basagwe n 'umuhezagiro w'Ubutatu Bweranda.
- Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (l)
- Butatu bw'urukundo 1 ...

4. ICIBUKIRO CA IV
Jewe... Tabernakulo nzima, ndashikirije ubuzima bwanje bwose ishaka ry'Imana kugirango nze name ndi mu bunywanyi bwawe wewe Mana yanje.
- Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (l)
- Butatu bw'urukundo 1 ...

5. ICIBUKIRO CA V
Jewe... Tabernakulo nzima, ndakubise ibipfukamiro hasi imbere y'inyonga z'lmana yo yanyitoreye... jewe mucumuzi nyabwero kugirango name ndakuninahaza imisi yose na base kubera ishaka ryawe, wewe Mana yanje.
- Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (l)
- Butatu bw'urukundo 1 ...

Ndakuramutsa Yezu Ukaristiya... Rukundo rwa Mana: ndagusavye ushire mu mutima wanje ikigongwe c'abantu bose bakigutuka. Ndakuramutsa Yezu Ukaristiya... Jewe muri Wewe, nawe muri jewe twempi tugendere hamwe mu Butatu Bweranda.
Nawe Bikira Mariya Mawe Mugabekazi w'Ukaristiya... DUSABIRE.
Amen

AMAZINA ANINAHAZA UKARISTIYA

Mukama tugirire ikigongwe	Mukama tugirire ikigongwe
Ewe Kristu tugirire ikigongwe	Ewe Kristu tugirire ikigongwe
Mukama tugirire ikigongwe	Mukama tugirire ikigongwe
Yezu Kristu twumvire	Yezu Kristu twumvire
Yezu Kristu dukundire	Yezu Kristu dukundire
Dawe wo mw'ijuru Mana	Tugirire Ikigongwe
Mwana Mukiza w'abantu, Mana	Tugirire Ikigongwe
Mutima Mweranda, Mana	Tugirire Ikigongwe
Butatu Bweranda Mana imwe	Tugirire Ikigongwe
Yezu Ukaristiya... buhirwe bw'abamalayika n'aberanda	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya... Rukundo rutagira ingero	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya ... Ruzi rutemba inema	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Muriro wa Mutima	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya. kabobera k'urukundo	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mazi amara inyota	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mukate utanga ubuzima	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Rukiza rw'umutima	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Shimwe ry'urukundo	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Ngabirano y'agahebuza	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Muti w'imitima yatuntuye	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Data... Mugenzi... n'umuvukanyi	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Muhoza w'abaruhijwe	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mwigisha w'impuhwe	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mwana Mucunguzi	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Senaka uheta bose	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mana y'ingabo zo rnw'ijuru	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Jarnbo wa Mana rnu rnubiri w'abantu	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mwana wa Mana yigize umuntu	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, wewe ujana mw'iparadizo	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, karorero k'urukundo	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Wewe uvyagiye mu mutima wanje	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Muco w'ibiremwa vyose	Ndagukunda kandi ndagusenga
Yezu Ukaristiya, Mukate muzima wo mw'ljuru	Ndagukunda kandi ndagusenga

DUSABE

Yezu Ukaristiya... Rukundo rw'lmana, wewe washimye kungira itabernakulo ariyo ngoro yawe, ndagusavye untagatifuze kugirango nshobore guhanga inyonga zawe, nkwihweze amaso mu yandi nongere nshobore ku kurerura ndakuzungurukana iyo isi iva ikagera.
Iteka inganji y'ubuninahazwa nibigutahe wewe Mukama Mana yanje. Amen.

“ Ngaho lero Conchiglia, ngiyo Rozari y'Ukaristiya uze urayivuga neza n'icubahiro cinshi umwanya wose, uko umushaha wawe utera indihaguzi ube ariko nawe ugerageza kunsenga. Amatabernakulo mazima ari kw'isi yose aje hamwe agire ishaka rimwe ry'ugusenga kugirango anyibagize ibitutsi ntukwa n'abatanyemera ko ndi muzima mu masengero yose umubiri n'amaraso, umutima w'ubuzima rnw'Isakramentu ry'Ukaristiya.”

Ivyo Conchiglia yahishuriwe n'Ubutatu Bweranda cane kw'igenekerezo rya 31 Kigarama mu mwaka w'2001.

IGITANGARO C'UKARISTIYA

Cabaye ku musi wa gatanu, itariki 23 z'ukwezi kwa 5, umwaka w'i 2003, kw'isaha y'i 9,
i Ostina-Florence, mu gihugu c'Ubutaliyano,
mu minwe ya Yohani Paulo Faroni, Umupatiri wo mu ba Saleziyano ba Don Bosiko

---

Conchiglia